**Higher School Certificate (HSC) minimum standard**

Information for parents and carers

# Icemezo Ndangabumenyi c'urufatiro shingiro mu Mashure Yisumbuye (HSC)

## Ibimenyeshejwe abavyeyi n'abarezi

Bŭbahwa bavyêyi nămwe barézi

Ishirwaho ry'integuro y'Icemezo Ndangabumenyi c'urufatiro shingiro mu Mashure yisumbuye (HSC) mu Gisata Kijejwe Akanovera k'Indero i NSW  (NSW Education Standards Authority (NESA)), risobanurwa yuko abanyeshure i NSW bakwiye kwerekana ubumenyi bw'ákanóvērá shingiro mu gusoma n'ibiharuro imbere y'uguhabwa Icemezo Ndangabumenyi mu Mashure Yisumbuye (HSC).

Abanyeshure bazohabwa ibibazo vy'Isuzumwa ry'ubumenyi shingiro mu nzego zitatu zo gusoma, ukwandika n'úguhárūra, bizobashikana ku guhabwa ca Cemezo HSC. Ikibazo cose ku ngurukanabumenyi kizomara iminuta 45, kandi kizoba cubatswe gutya:

- Ikibazo co gutora inyishu y'ukuri muri nyinshi mu vyerekeye gusoma;
- Ikibazo co gutora  inyishu y'ukuri muri nyinshi mu bijanye n'uguharura; hamwe n'
- Ikibazo c'ukwandika (kugeza ku majambo 500) hisunzwe icitegererezo canditswe canke kibonwá.

Abanyeshure bakwiye kubitora kugeza ku rwego rwa 3 n'urwa 4 muri iyo migwi itatu y'ibibazo kugira ngo bahabwe Ico Cemezo HSC cerekeye ubumenyi shingiro. Ibi bisobanurwa yuko abanyeshure baseruye ubwo bumenyi shingiro babá báfise ubuhinga bw'urufatiro bukoreshwa mu buzima bw'imisi yose, bwo gukora n'ukubandanya kwiga.

Abanyeshure barafise amahirwe menshi ku mwaka yó gukora ivyo bibazo, kuva ku Myaka 10 kugeza kū mpéra y'Umwaka wa 12. Haracamwo ibiringo vyo kurindira imbere y'ugusubira kugerageza ikibazo ico ari co cose.

Abanyeshure bazofashwa n'ishure kugira ngo bashike kuri ubwo bumenyi shingiro bwerekeza ku kuronswa ca Cemezo Ndangabumenyi HSC cerekeye urufatiro shingiro. Hariho ibibazo vy'icitegererezo ku murongo Ngurukanabumenyi wa NESA. Uwo na wo ni:
https://educationstandards.nsw.edu.au/wps/portal/nesa/11-12/hsc/hsc-minimum-standard/online-tests

Igore uvugane n'Ishure asangwa ukeneye ayandi makuru.

Asangwa wibaza ko umwana wawe hariho ibindi akeneye kandi azokenera kwongererezwa ubumenyi kanaka kugira ngo ashobore guhabwa ca cemezo HSC, igore uhamagare uwujejwe ihanamakuru kw'Ishure, gutya:

Izina ry'uwujejwe ihanamakuru kw'Ishure

Inomero z'Imvugirakure ukéneye Uwujejwe Ihanamakuru

Turabikebanuye bavyeyi dusangiye kurera

Umurongozi

Izina ry'Ishure

### Imvugirakure ucako ukeneye ugufashwa kwerekeye guhabwa Umusobanuzi

mw'ihanamakuru n'uburongozi bw'Ishure, igore uhamagare Urwego rujejwe Umusobanuzi ku Nomero 131 450 maze usabe umusobanuzi mu rurimi rwawe. Bwira umuhinga inomero ugomba guhamagarako, azokuronsa umusobanuzi ku murongo agufashe mu kiyago cawe. Ntuzorohishwa kubwo ukwo gufashwa.